Dr. Karen Munoz, M.Ed., EdD
Executive Director of Federal Programs
Office: (325) 677-1444, ext. 3216
Fax: (325) 794-1326
Karen.munoz@abileneisd.org

Abilene Independent School District
Office of Federal Programs • P.O. Box 981 • Abilene, Texas 79604-0981

Abilene Independent School District

Amabwiriza yerekeranye n'Uruhara rw'Abavyeyi muri Title 1

2021 - 2022

INSHINGANO

Intumbero ya AISD ni uko buri munyeshule yohabwa indero ikwiye. Kugira ngo ivyo tubishikeko, ni uko hoba umwumvikano hagati y'abavyeyi n'abandi banyagihugu.Abanyagihugu bose nibashira hamwe bizogirira buri munyeshule akamaro kandi bitume arushiriza kwiga neza.

Abanyeshule bose bazokora ibishoboka kugira ngo bamenye ivyo Leta yifuza ko bikogwa. Hano mu buyobozi bw'amashule yacu tuzi neza ko hari abanyeshule bakeneye gufashwa mu vyigwa kugira ngo bashike ku vyo Leta ishaka ko bamenya. Iyo mfashanyo y'inyongera iteganyijwe mu mashule yose ari muri program Title 1.

AISD ishaka ko abavyeyi bagira uruhara muri iyo program. Bityo ugufatanya kw'abavyeyi n'abarimu bizotuma abana batsinda ibibazo.

URUHARA RW'ABAVYEYI MU GUTEZA IMBERE AYA MABWIRIZA

Buri mwaka, ishule rizotumiza inama y'abavyeyi b'abana bose barabwa n'iyi gahunda. Abavyeyi, abarimu n'abandi banyagihugu bazosuzumira hamwe ivyerekeranye n'uruhara n'uburenganzira bw'umuvyeyi muri iyi programu.

AISD izohitamo abavyeyi bahagarariye abanyeshule.AISD kandi izoteganya igihe ciza n'ahantu heza hakwiye gukoregwa inama kugira ngo bafashe abavyeyi kwitabira inama ari benshi.

INAMA Z'ABAVYEYI

Abavyeyi bazoba bari mu nama bazoronka umwanya wo gutanga ibitekerezo n'ivyipfuzo vyabo mu biraba uburere bw'abana babo. Amashule yo muri Title 1 azokoresha inama nyinshi buri mwaka. Muri izo nama, abavyeyi bazosobanurigwa intego za program Title 1, bahabwe na kopi y'inyandiko isobanura umwanya bafise mu burezi. Abagize komite y'abavyeyi bazogirana inama n'ishule kabiri mu mwaka.

Inama zizokoregwa igihe n'ahantu habereye abavyeyi. Abatumva ururimi bazohabwa ababasigurira kandi n'abafise abana bato bashobora kubona abita ku bana mu gihe bari mu nama. Ibivugwa bizoja vyandikwa kugira ngo abavyeyi babyumve neza.

UBUFATANYE BW'ISHULE N'ABAVYEYI

Hakurikijwe ingingo zitegerezwa gukurikizwa muri Title 1, buri kigo c'amashule kigomba gushiraho gahunda ihuza abavyeyi n'ishule. Bazokorera hamwe kugira ngo abana bahabwe indero runtu. Abarimu bo mu mashule abanza hamwe n'abavyeyi bazigira hamwe ivyemezo. Abavyeyi bazosobanurigwa ivyo bagomba gukora kugira ngo abana batsinde ibibazo. Bose bazoshira umukono ku vyemezo.

IVYO ABAVYEYI BASHOBORA GUKORA

AISD izerekana imirimo y'ubwitange abavyeyi bashobora gufasha ishule. Bashobora gufatanya n'abandi mu bikogwa vyo gufasha abanyeshule. Ishule n'abavyeyi bazofatanya kuraba inkunga buri munyeshule akeneye.

GUHUZA PROGRAMU N'IVYO ABANYAGIHUGU BAKENEYE

Hagomba umubare w'abavyeyi uhagije kugira ngo bafatanye n'abarimu mu gihe n'uburyo bikwiye, bakungurana ivyiyumviro mu vyerekeranye na program za Title 1. Abavyeyi batavuga icongereza, abafise ubumuga, na ba kavantara nabo ntibazosigara inyuma.

Ivyo vyose bizokogwa mu mwumvikano w'abavyeyi n'ishule kugira ngo bateze imbere abanyeshule. Nico gituma AISD yiyemeje kumviriza ivyiyumviro bizotangwa n'abavyeyi.

GUFATANYA KW'ABARIMU N'ABAVYEYI

Buri kigo c'amashule kizomenyesha abavyeyi ivyagezweho buri mwaka n'amanota y'abana babo. Bazohabwa n'ibisobanuro vyerekeranye n'ingene abanyeshule babazwa n'amanota bategerezwa gushikaho.

Abavyeyi bazosobanurigwa ivyerekeranye n'inyongera abanyeshule bahabwa n'uko bashobora kwihitiramwo ishule ry'umwana nkuko itegeko ribivuga : " Nta mwana n'umwe agomba gusigara inyuma". Abavyeyi bazogezwaho mu rurimi bumva inyandiko isobanura ivyigwa .

AISD izosobanurira abavyeyi ivyerekeranye n'ubushobozi buhanitse bw'abarimu. Umwana aramutse yigishijwe n'umwarimu adafise ubushobozi buhagije mu kiringo c'indwi zine zikurikirana, umuvyeyi azogezwaho iketi yihariye ibisobanura.

Igihe cose umuvyeyi azoja agezwaho uko umwana agenda yunguka n'ingene bashobora gufasha abarimu kugira ngo abana bunguke kurushaho. Abarimu n'abandi bakora mu burezi bazokurikira amahugugwa kugira ngo barusheho kumenya ingene bofatanya n'abavyeyi mu vyerekeranye n'indero y'abana. Abavyeyi bazoja bagezwaho za gahunda hakoreshejwe amatangazo yanditse, inama, no kuraba buri muvyeyi ku giti ciwe.

IBIBAZWA

Mu kiringo c'indwi zitandatu, abavyeyi b'abana biga ku mashule ari muri Title 1 bazosubiza ibibazo vy'ipereereza vyerekeranye n'uruhara bagize muri iyo programu n'uko bayiyumvira. Mu gusubiza ivyo bibazo, bazoboneraho umwanya wo kuvuga ivyipfuzo vyabo ndetse n'ibindi bigomba gukogwa kugira ngo intego z'iyo programu zishikweho.

Ibizoba vyavuzwe mu nama z'abavyeyi bizofasha abarimu gusubiramwo ivyerekeranye n'uruhara rw'abavyeyi mu burezi. Buri kigo c'amashule kizosuzuma uko gahunda z'umwaka zakozwe. Abavyeyi

n’Abarezi bazofatanya mu kuraba ivyakozwe n’ibishobora gukogwa kugira ngo uburyo inyigisho zitangwa burushirizeho kugirira abana akamaro.

Ili tegeko ,hamwe ni mpinduka zasabwe, yemejwe na DPAC ya 2019 ku tariki ya 20 Rusama 2021. Ishuri rizakwirakwizwa ili tegeko ku babyeyi bose kw’itariki ya 30 nyakanga 2020 cyangwa mbere yaho.

Dr. Karen Munoz

_____
(Umukono w'Umuyobozi)

_20 z’Ukwezi kwa 5 , 2021_____
(Itariki)

Kirundi